UKURI KUNYWANISHA

# Mu ngoro y'Amakoraniro

Nyakanga 2024

Nimero 24

## Irahira ry'abagize Umugwi wo kumenya Ukuri no Kunywanisha Abarundi



*Abagize Umugwi CVR bari kumwe n'Umukuru w'igihugu n'abari mu biro vy'inama nshingamateka na nkenguzamateka*

**ICAMAKE Y'IBIRIMWO**

-Abagize Umugwi CVR bari kumwe n'Umukuru w'igihugu n'abari mu biro vy'inama nshingamateka na nkenguzamateka: **p1**

- Zimwe mu ngingo zijanye n'amatati y'amatongo n'ayandi matungo: **p2**

- Umugwi CVR utegekanya gushiraho abawuserukira mu ntara : **p2**

- Ubuzima bw'umukomiseri Mossi Selemani: **p3**

- Abagize umugwi CVR : **p4**

***Kw'igenekerezo rya 30 Myandagaro 2024, mu ngoro y'amakoraniro mu Kigobe, abakomiseri bagize Umugwi wo gutohoza Ukuri no Kunywanisha Abarundi bararahiye imbere y'Umukuru w'igihugu, abagize Inama nshingamateka na nkenguzamateka n'abandi bashitsi bahire.***

Nk'uko bitegekanijwe mw'itegeko rigenga uwo mugwi, imbere yo gutangura kurangura amabanga bajejwe, abawugize babanza gushikiriza indahiro.

Bafashe ibendera ry'igihugu mu ku boko kw'ibubamfu ukundi kumanitse hejuru, abakomiseri barahira bavuga bati:

*«Imbere y'Imana Mushobora vyose, imbere y'Inama nshingamateka n'Inama nkenguzamateka, jewe (izina n'iritazirano), ndarahiye ko nzorangura amabanga njejwe mu bwigenge, ata ho mpengamiye, nisunze ubuntu kandi ata kuvangura na kumwe, nitwararitse gushira ahabona ukuri mu ntumbero yo guteza imbere ukunywanisha Abarundi.*

*Niyemeje kandi kugumya ibanga nk'uko bitegekanijwe n'ibwirizwa rishinga umugwi ujejwe gutohoza ukuri n'ukunywanisha Abarundi.»*

Inyuma y'iyo ndahiro, uwugize umugwi wo gutohoza ukuri no kunywanisha Abarundi yaca ashira umukono mu gitabo c'iteka.

Ibirori bikaba vyarangijwe no gufata ifoto y'umuryango w'abagize umugwi wo gutohoza ukuri no kunywanisha Abarundi, Umukuru w'igihugu n'abari mu biro vy'Inama nshingamateka n'inama nkenguzamateka.

### Bimwe mu biri mu mabanga mashasha ya CVR

Ingingo ya gatatu igenga Umugwi wo gutohoza ukuri no kunywanisha Abarundi ivuga ko umugwi CVR ufise intumbero y'ukwihweza ivyabaye muri kahise bijanye n'ihonyangwa ry'agateka ka zinamuntu mu kivunga hamwe hamwe no gusubiza mu vyabo abakorewe amabi mu ntumbero y'ukurondera ubutungane.

Umugwi CVR ufise kandi intumbero yo kwakira amatati ajanye n'amatongo n'ayandi matungo ari hagati y'abasinzikajwe n'ivyago ubwabo, hagati y'abasinzikajwe n'ivyago n'abandi bantu canke hagati y'abasinzikajwe n'ivyago n'ibisata vya reta canke ivy'abikorera utwabo.

**Nimbona Fiacre**

# UKURI KUNYWANISHA

## Zimwe mu ngingo abafise amatati y'amatongo n'ayandi matungo bitura umugwi CVR bakwiye kumenya

***Ibwirizwa n°1/11 ryo ku wa 28 rusama 2024 rigenga Umugwi wo gutohoza Ukuri no Kunywanisha Abarundi riraha amabanga mashasha ajanye no gutatura amatati afatiye ku matongo n'ayandi matungo ari hagati y'abasinzikajwe n'ivyago ubwabo, hagati y'abasinzikajwe n'ivyago n'abandi bantu canke hagati y'abasinzikajwe n'ivyago n'ibisata vya reta canke ivy'abikorera utwabo. Birakwiye ko abafitaniye bene ayo matati bitura uwo mugwi bamenya zimwe mu ngingo zobafasha gutahura uko uwo mugwi ukora n'ingene bowitura.***

**Ingingo ya 5** :

Umugwi CVR ntufise ubusha nk'ubwa sentare. Ukwumvirizwa n'umugwi ntibirihishwa.

**Ingingo ya 10, agace ka 5:**

Mu bijanye n'amatati yerekeye amatongo n'ayandi matungo, umugwi CVR ujejwe cane cane ibikukwirikira:

a) kwakira imanza zose ushikirizwa n'abasinzikajwe n'ivyago canke abafise uburenganzira ku matongo yabo mu ntumbero yo kuyabasubiza;

b) kwihweza uburyo bushoboka n'ibikwirikizwa mu guha abasinzikajwe n'ivyago batasubijwe amatongo canke ayandi matungo ibihuye n'ivyo banyazwe, canke abakorewe amabi bononewe amatungo yabo;

c) guhimiriza no kumenyesha abenegihugu ikirangamisi c'ibikorwa vy'umugwi CVR;

d) guhimiriza abihagiye n'abaronse amatongo n'ayandi matungo biciye kubiri n'amategeko kugira babisubize ku gushaka kwabo kandi bubahirize amatongo n'ayandi matungo y'abasinzikajwe n'ivyago canke y'abafise uburenganzira ku matungo yabo;

e) gutororokanya kw'izina rya Reta amatongo n'ayandi matungo yose ya Reta vyihagiwe n'abandi bantu biciye kubiri n'amategeko.

**Ingingo ya 11**:

Umugwi CVR urafise kandi ububasha kw'idosiye zerekeye amatongo n'ayandi matungo zari zikiriko zirihwezwa mu mugwi w'igihugu wari ujejwe amatongo n'ayandi matungo, CNTB mu mpfunyapfunyo y'igifaransa, mu gihe ikiringo cawo carangira hamwe n'idosiye utari bwakire imbere yuko ikiringo wari wahawe kirangira.

**Ingingo ya 12** nayo igira iti:

Mu gihe impande zompi zifitaniye amatati zumvikanye, ivyumvikanyweko bica vyemezwa biciye mu nyandiko. Urwo rwandiko rutegerezwa kurungikirwa umugwi CVR nawo ugaca uvyemeza ukongera ukagira icegeranyo urungikira impande vyerekeye.

**Mu ngingo ya 13:**

Mu gihe imanza umugwi CVR ufiseko ububasha zerekeye ubwicanyi, ubwicanyi ndengerabutungane, amatongo n'ayandi matungo vyanyazwe zamaze gucibwa bivanye n'amakuba Uburundi bwagiye buracamwo ariko zitakwirikije ukuri kw'ivyabaye kandi zikaba zaramaze kuba ntabanduka, umugwi CVR uca usaba, ubicishije mu nama nshingamateka na nkenguzamateka zikoranye, ko zifutwa canke zosubirwamwo ukabikora mu ntumbero yo gusubiza mu vyabo abakorewe amabi n'ukunywanisha.

**Ingingo ya 15:**

Imanza ziri muzo umugwi CVR ufiseko ububasha ntizakigwa na sentare.

Ku manza zikiriko ziraburanishwa mu zindi sentare atari sentare CSTB umugwi CVR ufiseko ububasha, izo sentare zica zihagarika kuzitohoza kugira zishikirizwe umugwi CVR.

Mu gihe urubanza rutakiriwe n'umugwi CVR, sentare zica zisubira kurutohozako.

## Umugwi CVR utegekanya gushiraho abawuserukira mu ntara

Umugwi CVR utegekanya gushiraho ubuserukizi bwawo mu ntara.

**Ingingo ya 51:**

Mu kurangura imirimo ushinzwe, Umugwi CVR urashiraho ubuserukizi bw'Umugwi mu ntara. Bukurikiraniwe hafi n'Umugwi CVR, ubuserukizi bw'umugwi mu ntara bujejwe kurangura imirimo yose Uwugwi CVR ufiseko ububasha. Iyo migwi irashikiriza Umugwi CVR ingingo yafashe kugira nawo uzihweze wongere uzemeze.

Ku gwego rw'intara imwimwe yose, igitigiri c'abakozi bakuru bafasha bo mu buserukizi bw'umugwi mu ntara gitomogwa bivanye n'ingene idosiye z'amatati zihari zingana.

**Ingingo ya 52:**

Abakozi bakuru bo mu buserukizi bw'Umugwi mu ntara bagenwa n'ingingo y'Umukuru w'Umugwi CVR hubahirijwe ibitigiri bitegekanijwe n'Ibwirizwa Shingiro. Abakozi bakuru bo mu buserukizi bw'Umugwi mu ntara bavuye mu bisata vya Reta bafatwa nk'abahagaritse akazi vy'agateganyo kubera bashinzwe ayandi mabanga. Ubuserukizi bw'umugwi mu ntara bukoresha uburyo bushingwa n'Umugwi CVR.

**Ingingo ya 53:**

Uwuri mu bagize ubuserukizi bw'Umugwi mu ntara arashobora gukurwa mu mabanga yari ajejwe bikozwe n'ibice bibiri vya bitatu vy'abakomiseri mu gihe bigaragaye ko afashwe n'ubumuga, adafise ubumenyi bukwiye, ariye igiturire canke kuba yakoze ico cose gituma umugwi CVR utakaza ubwizigigwa.

Mu gihe ari icaha cakoreweho, ibiro nshingwabikogwa vy'umugwi bica bifata ingingo yo guhagarika umukozi aserukira umugwi mu ntara kuba yarenze ibitegekanijwe mu gace ka mbere k'iyi ngingo.

*Commission Vérité et Réconciliation, CVR, Q. Kabondo, 16 av. du 13 octobre, B.P. 2620 Bujumbura– Burundi. Site web: https://www.cvr.bi*
*Tél.: 22 27 91 69; 22 28 07 06 ; Courriel : info@cv.bi; X :@CVR_Burundi ; YouTube : CVR BURUNDI ; Instagram : cvr-burundi ; Facebook : Cvr Burundi*

UKURI KUNYWANISHA

# UBUZIMA BWA KOMISERI MOSSI SELEMANI



*Ambassadeur Selemani Mossi ariko ararahira mu ngoro y'amakoraniro mu Kigobe*

**Mossi Selemani ninde?**

Yavukiye muri zone Buyenzi muri komine Mukaza iri mu gisagara ca Bujumbura kw'itariki 12 Nyakanga 1966. Ubu afise imyaka 58.

Kuva mu mwaka wa 1974 kugera mu mwaka wa 1981, amashure y'intango yayize ahantu habiri. Aho naho hakaba ari kw'ishure ry'intango rya Reta ry'i Gitega (Ecole primaire officielle de Gitega) hamwe no kw'ishure ry'intango ry'abahungu ry'i Gitega (Ecole Normale d'Application de Gitega). Aho naho yaharonkeye urupapuro rusozera amashure y'intango (certificat de fin d'études primaires).

Amashure yisumbuye yayize kw'ishure ryisumbuye ryigisha imyuga ryo mu Kamege (Ecole Technique Secondaire de Kamenge) kuva mu mwaka wa 1981 kugeza mu mwaka wa 1989 aho yakuye impamyabushobozi bita A2 mu gisata c'ubuhinga bukoresha umuyagankuba (électronique).

Avuye aho yaciye abandaniriza muri Kaminuza y'Uburundi kuva mu mwaka wa 1989 kugeza 1994 aho yakuye impamyabushobozi mu gisata c'amahinguriro. Hampande yo kurangiza Kaminuza y'Uburundi, Komiseri Selemani Mossi yarakurikiranye izindi nyigisho zo kunagura ubumenyi, araronka n'impapuro z'umutsindo. Izo nyigisho akaba yazikwirikiranye mu bihugu bitandukanye nk'i Berlin mu Budagi, i Seattle n'i Washington muri Reta Zunze Ubumwe za Amerika, muri Kenya, muri Tanzaniya, mu Bufaransa no mu Bushinwa.

**Yarajejwe n'amabanga atari make**

Muri 2021, yari umuhanuzi ajejwe ubuhinga mu bushikirangaji bw'imigenderanire y'Uburundi n'ibindi bihugu no gufashanya mw'iterambere. Hakaba hari n'ayandi mabanga menshi yashinzwe. Amwe muri ayo akaba ari nko guserukira Uburundi mu bihugu bitandukanye.

Yaraserukiye Uburundi mu Misiri, muri Sudani, Quatar, Koweti, Bahrein, Oman, Iran, Israël, Arabie Saoudite, hamwe no muri Reta Zunze Ubumwe z'Abarabu, ku cicaro gikuru kiri i Cayiro mu Misiri.

Yarabaye kandi buramatari w'intara ya Gitega kuva mu 2005 gushika mu 2010.

Yarajejwe n'ayandi mabanga atandukanye nko mw'imwitonorero ry'ikawa SODECO, mw'ishirahamwe UTEMA TRAVYDRO hamwe no mu muryango w'aba islamu mu Burundi (COMIBU).

Komiseri Selemani Mossi yarakoze kandi no mu bindi bisata bitandukanye. Aho twovuga nko mu gisata ca Reta kijejwe gutunganya ibisagara, mu gisata c'indero, mu gisata kijejwe gukingira ibidukikije hamwe n'ico kurwanya ingwara ya SIDA mu ntara ya Gitega.

Mu bijanye n'indimi, Komiseri Mossi Selemani azi kuvuga ko kwandika neza indimi zitandukanye. Aho twovuga ururimi rw'Icongereza, Igifaransa, Igiswahili, Ikirundi n'Icarabu. Arafise kandi ubumenyi butari buke mu gukoresha imashini nyabwonko n'ubundi buhinga.

Ambassadeur Selemani Mossi aheruka kugenwa kuba Umukomiseri mu mugwi ujejwe Ukuri no Kunywanisha Abarundi (CVR).

Umugwi CVR ukaba uronse inararibonye ibushitse. Uruhara rwiwe rukaba rwitezwe mu mabanga adasanzwe yo kumenya ukuri ku mabi yashikiye Uburundi mu bihe bibi bwagiye buracamwo hamwe no kunywanisha Abarundi.

Akaba yagenywe muri ayo mabanga mu gihe umugwi CVR mu bikogwa ujejwe wongewe izindi inshingano zijanye no gutatura amatati afatiye ku matongo n'ayandi matungo. Amadosiye atari make akaba yitezwe kwigwa n'uwo mugwi mu nzira yo gusubiza mu vyabo ababinyazwe biciye mu mwumvikano.

# UKURI KUNYWANISHA

## ABAGIZE UMUGWI CVR



Mme Nzigamasabo Léa Pascasie, Umunyamabanga w'ibiro vya CVR



Amb. Ndayicariye Pierre Claver, Umukuru w'Umugwi CVR



Rév. Ninziza Clément Noé, icegera c'Umukuru w'Umugwi CVR



M. Batungwanayo Aloys Juvenal, umukomiseri



Amb. Budiriganya Stella, umukomiseri



Amb. Kavakure Laurent umukomiseri



Rev. Elie Nahimana, umukomiseri



Me Ndikumana Déogratias , umukomiseri



Mme Nijimbere Alice, umukomiseri



Patiri Niyonkuru Pascal, umukomiseri



Hon. Sindokotse Dénise, Umukomiseri



Mme Rukundo Charlotte, Umuko-



Amb. Mossi Selemani, umukomoseri

## Ubutumwa bw'Umukuru w'Umugwi CVR ku bijanye ukunywanisha Abarundi

1. Umurundi wese arakwiye kwibaza ico yoterera kugira haboneke amahoro arama kandi akingira abarundi bose: Abahutu, Abatutsi n'Abatwa ndetse n'abanyamahanga baba mu Burundi. Nturabe abandi gusa, zeho inererano yawe n'iyihe?
2. Ubwoko ntibwica. Hica umuntu kanaka kugiti ciwe. Uwo nawe niwe akwiye kudomwako urutoke kuko ivyo yakoze abikora kugatwe kiwe.
3. Umuntu aguma avuga ko ubwoko kanaka nibwo bwica aba ariko afatira mu kivunga , aba afise intumbero yo gukingira ikibaba uwabikoze
4. Nta bahutu bagwana n'Abatutsi. Ahubwo ni abashaka gutera ingorane bakoresha ubwoko, imiryango, amadini kugira bateranye abavukagihugu maze bashike kuvyo bipfuza.
5. Ivyashikiye igihugu harabo vyakomerekeje bibatera ibisebe mu mutima. N'iyo ivyo bisebe bikize bisiga inkovu igoye kuzimangana. Vyoba vyiza abarundi twese twirinze gukomeretsanya
6. Kumenya Ukuri, gusaba no gutanga ikigongwe no niwo muti urama uzotuma abarundi banywana koko gutyo ivyabaye ntibize bisubire kwisubiriza mu gihugu.

*Commission Vérité et Réconciliation, CVR, Q. Kabondo, 16 av. du 13 octobre, B.P. 2620 Bujumbura– Burundi. Site web: https://www.cvr.bi*
*Tél.: 22 27 91 69; 22 28 07 06 ; Courriel : info@cv.bi; X :@CVR_Burundi ; YouTube : CVR BURUNDI ; Instagram : cvr-burundi ; Facebook : Cvr Burundi*